REPUBLIQUE DU BURUNDI **COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION**

IJAMBO RISHIKIRIJWE NA AMBASSADEUR PIERRE CLAVER NDAYICARIYE, UMUKURU W'UMURWI CVR IGIHE YUGURURA INAMA Y'ABARONGOYE ABANDI MU NZEGO Z'IGIHUGU ZIKORANA N'UMURWI W'UGUTOHOZA UKURI N'UKUNYWANISHA ABARUNDI

BUJUMBURA, HOTEL ROYAL PALACE, 29 NZERO 2019

Banyakubahwa Bashingamateka,

Banyakubahwa Bakenguzamateka,

Banyakubahwa mwahoze murongeye igihugu cacu c'Uburundi,

Banyakubahwa mwahoze mu mabanga y'Ivyegera vy'Umukuru w'igihugu,

Banyakubahwa murongoye intara z'igihugu cacu,

Bashingantahe, Bapfasoni muserukira Ubushikiranganji butandukanye,

Basingantahe, Bapfasoni muserukira inzego z'Umutekano,

Bashingantahe, Bapfasoni murongoye imigambwe,

Bashingantahe, Bapfasoni murongoye amashengero n'amadini,

Basingantahe, Bapfasoni murongoye amashirahamwe adaharanira inyungu za poritike,

Bashingantahe, Bapfasoni murongoye amaradiyo, amateleviziyo n'ibinyamakuru vyandikwa mu Burundi,

Bashingantahe, Bapfasoni,

Bashitsi bahire,

1. Mudukundire tubahe ikaze, tubipfuriza kuroranirwa mu miryango yanyu yose muri uyu mwaka twaraye dutanguye w'2019.
   Twipfurije mwese amagara meza; imigambi mwiza ishigikira ubumwe, ukuri n'ukunywana kw'Abarundi bose.

   Iyi nama mwitavye uno musi twayise inama y'uguhanahana ivyiyumviro; kugira inzego zitandukanye zaserukiwe zitahane umuco werekeye ubutumwa n'amabanga uyu Murwi CVR ushinzwe mu Burundi bwacu.
   Tubanje kubashimira ko mwitavye muri benshi ubutumire mwarungikiwe n'uyu Murwi ujejwe gutohoza Ukuri n'Ukunywanisha Abarundi.

2. Nkuko mwabibonye mu butumire twabarungikiye, twipfuje gufata akanya gakwiye, turi kumwe na mwebwe muserukira inzego zitandukanye, kugira tuvugane ibiraba amabanga igihugu cadushinze.
   Tubivuga tutadidinganya kuko ukuri turondera kuzova mu Barundi murongoye; kuzovugwa n'Abarundi muserukira.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

3. Nk'uko musanzwe mubizi, ku wa 27 Munyonyo umwaka w'2018, niho Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu yagena abagize Umurwi mushasha ujejwe ugutohoza Ukuri n'Ukunywanisha Abarundi.

   Twebwe bashasha turi 13; tukaba twaje gukutsa ikivi bagenzi bacu bari bamazemwo imyaka ine. Abo twakoreye mu ngata, bagengwa n'Ibwirizwa ryo ku wa 15 Rusama umwaka w'2014. Natwe bashasha, tukaba tugengwa n'Ibwirizwa rishasha Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu yateyeko igikumu kw'italiki ya 6 Munyonyo umwaka w'2018.

4. Abo twasubiriye, baradushikirije imirimo ku wa 6 Kigarama mu mwaka twaraye turangije w'2018. Ivyo bikaba bisigura neza na neza ko kuva kuri iryo genekerezo, abagize Umurwi mushasha wa CVR turi kivi.

   Kugira ico kivi tucumve kumwe, twebwe Abakomiseri bashasha, turi kumwe n'abakozi bakuru bakuru muri CVR, twahora mu mwiherero i Ngozi; umwiherero wamaze indwi yose, kuva kw'igenekerezo rya 7 gushika ku rya 12 Nzero 2019. Muri uwo mwiherero, twararonse akaryo ko guca irya n'ino amabanga twaraye tujejwe, n'ingene tuzoyarangura turi hamwe, dufise umutima umwe ku neza y'Abarundi bose; ku neza y'igihugu cacu.

5. Muri iyo nama yabereye i Ngozi, havutse iciyumviro kizima c'uko, imbere y'uko dutangura ibikorwa nyezina, twobanza tukaja hamwe na mwebwe muri mu nzego zirongoye igihugu, kugira tubabwire ingene twumva imirimo twaraye tujejwe; namwe muduhe impanuro z'ingene twoyirangura, ku neza y'Uburundi n'Abarundi bose.

   Iyi ngendo yo kubwira Abarundi ingene turangura ubutumwa tugiye kuyikomeza; kugira Abarundi bose, abato n'abakuze, bamenye ukuri kuvyashikiye Uburundi; kugira abenegihugu bashinge inkingi z'amahoro n'ukubana neza bazi aho igihugu cabo caciye.

Banyakubahwa mwese,
Bashingantahe,
Bapfasoni,

6. Turipfuza kubamenyesha ivyerekeye ubutungane bunywanisha abantu inyuma y'intambara; n'ibiraba rya Bwirizwa rishasha rigenga uno murwi CVR.
   Tugira Imana, dufise muri uno Murwi Abakomiseri batatu bahora mu Murwi twasubiriye. Turipfuza ko babayagira ivyo uwo Murwi wari umaze gushikako; kuko barakoze ibintu bitari bike twipfuza ko vyomenyekana, naho hatabuze n'ivyabagoye.

7. Ikindi twomenyesha abatumire ni uko Umurwi nk'uyu wacu, nk'uko vyibonekeje n'ahandi washinzwe mu bindi bihugu bishika mirongo itatu kw'isi, nka Afrika y'Epfo, Côte d'Ivoire, Pérou, canke Timor Oriental, n'ahandi… hose usanga abenegihugu baho bagendana ibikomere ku mutima. Ivyo bikomere canke akabonge biva ku vyago vy'intambara abenegihugu baba baraciyemwo.
   Ni vyo umwe mu Bakomiseri dufise muri uno Murwi wacu ahava adusigurira. Uwundi Mukomiseri turi kumwe, akaba ahava atwereka ingene, n'imbere y'uko Umurwi CVR uvuka, hari abantu bagiye

barafasha gutohoza ukuri ku mabi yabaye mu Burundi; abandi nabo bakaba barafashije mu bikorwa vyo guhuza no kunywanisha Abarundi.

Banyakubahwa mwese muri hano,
Bashingantahe,
Bapfasoni,

8. Twebwe tugize Umurwi CVR, turipfuza ko ino nama yoba iyo guhana umuco n'ivyiyumviro; inama yo guhuza imitima; imitima y'abaje baturuka mu nzego za Reta, abo mu Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka; abo mu nzego zijejwe umutekano; abo mu migambwe; abarongoye amadini; abo mu mashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike n'abajejwe ibimenyeshamakuru.

   Twipfuza kuyaga uko tubona amabanga tujejwe y'ugutohoza ukuri ku makuba yahekuye Uburundi n'Abarundi; namwe mu duhe impanuro z'ingene twoshika kw'ihangiro ryo kunywanisha Abarundi basinzikajwe n'ivyago vyahitiye.
   Abarundi bose batumiwe muri iyi nama barazi iyo uyu Murwi wavuye. Wavuye mw'ishaka ry'Abarundi bicaranye Arusha mu biganiro hagati y'abanyeporitike baganira indyane zashikiye Uburundi bwacu.

9.Nkuko mubizi kandi, muri iki gihugu cacu c'Uburundi, hari abenegihugu bakubiswe, hari abafashwe bongera bapfungirwa ubusa. Hari abakuweko agashambara; hari abasinzikarijwe igufa; hari abarengerewe mu butungane. Hari abateshejwe ingo zabo baja kuba mu buhunguro; hari n'abomokeye inyuma y'igihugu; hari abo ivyabo vyibwe, ibindi biraturirwa. Hari Abarundi babuzwe irengero ryabo; hari abomowe mu matongo yabo; abandi nabo banyagwa urukombamazi.

Hari abatutswe; hari abakuwe mu kazi ku karenganyo; hari abatewe ubwoba, hari abishwe; hari abahigiwe kwicwa n'abarusimvye; hari abasatswe mu mazu; hari ababorejwe igufa. Hari n'abagiriwe ibibi bitavugwa kuko bitabereye kiremwa-muntu, nk'abagore n'abakobwa bafashwe ku nguvu, hari abatemaguwe umubiri wose; hari abakubiswe nk'inzoka, be n'ibindi vyinshi tutovugira ngaha…

Nk'uko muvyumva, kwa kuri Abarundi bipfuza kumenya gufise amasanamu menshi. Ayo masanamu atandukanye, ni yo yatumye abantu benshi bahahamuka; abandi bama bicurikiriye kubera amagorwa n'akabonge babonye.

REPUBLIQUE DU BURUNDI
C.V.R
Cabinet du Président
COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION

Banyakubahwa mwese,
Bashingantahe,
Bapfasoni,

10. Muri ivyo vyose mpejeje kudondangura, bimwe vyaba ku murango; bakabigirirwa n'Abarundi bene wabo, abo basangiye igihugu; abo basangiye intara, ikomine, umutumba canke ikibano.